Impundu muri Ekleziya Katolika ya Congo

Kwigenekerezo rya 15 Gitugutu 2020, Nyenubweranda Papa Fransisiko yaragenye Nyenicubahiro Karadinali Fridolin Ambongo , Umwungere wa Diyoseze nkuru y'i Kinshasa mu gihugu ca Repubulika iharananira demokarasi ya Congo ngo abe mu rwego rw'abakaradinali bahanuzi ba Papa Fransisiko.

Karadinale Fridolin ni nde ?

Karadinale Fridolin wo mu muryango w'aba furera baba Fransisikano yavukiye mu gihugu ca Congo , mu ntara ya Ekwatere iri mu buraruko bw'ico gihugu ku wa24 Nzero 1960 i Boto. Ivyirwa vya Philosofiya yavyize kwi Seminari y'i Bwamanda, ivyirwa vya Tewolojiya navyo avyiga muri Kaminuza yitiriwe umweranda Eujene I Mazero kuva mu mwaka 1984 gushika 1988.

Yaraganye indagano za mbere mu mwaka 1981, iz'imyaka yose azigira mu 1987. Yatiwe mw'ibanga ry'Ubusaseredoti ku wa 14 Myandagaro 1988.

Imbere yuko ashingwa amabanga yo kuba umwepisikopi yaranguye ubutumwa mw'iparuwase Bobito yongera arigisha kuri Kaminuza yegukiye Ekleziya Katolika muri Congo aranashingwa amabanga atandukanye mu muryango yihebeyemwo Imana.

Ku wa 22 Munyonyo 2004, umweranda Papa Yohani Pawulo wa kabiri yamugenye kuba umwungere wa Diyoseze ya Bokungu-Ikela, yatirwa muri ayo mabanga ku 6 Ntwarante 2005. Ku wa 30 Gitugutu 2008 Papa Benedigito yamushinze ku muhagararira muri Diyoseze ya Kole gushika ku wa 9 Myandagaro 2015.

Ku wa 5 Ntwarante 2016,

Papa Fransisiko yamugenye ku muhagararira muri Diyoseze ya Mbadaka Bikoro; ku wa 12 Munyonyo 2016 amugena kuba umwungere mukuru wiyo Diyoseze no kumuhagararira muri Diyoseze ya Bokungu –Ikela.

Ku wa 11 Munyonyo afata intebe muri Diyoseze nkuru ya Mbadaka Bikoro. Ku wa 6 Ruhuhuma 2018 Papa Fransisiko yamugenye kuba umwepisikopi samurarwa muri Diyoseze nkuru ya Kinshasa, afata intebe y'umwepisikopi mukuru wiyo Diyoseze ku wa 1 Munyonyo 2018. Papa Fransisiko yamushize mu murwi w'aba Karadinali ku wa 5 Gitugutu 2019.

Tubamenyeshe ko muri Congo Karadinali Fridolin yaranzwe n'umutima wo kwitangira ubusho yashinzwe mu kurondera ingene bova mu bukene barimwo, mu kurwanira politike nziza yotuma Congo irangwa koko na demokarasi nyakuri.

MSV Marie Goreth Ndikumana

Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Kigali yatorewe kuba Kardinali



Ku wa 25 Gitugutu 2020, ikinyamakuru gitangaza amakuru y'i Vatikano caratangaje ko Nyenicubahiro Musenyeri Antoni Kambanda, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Kigali mu Rwanda yatowe na Nyenubweranda Papa Fransisiko ngo abe umu Karadinali.

Musenyeri Antoni Kambanda yavukiye i Nyamata ku wa 10 Munyonyo 1958. Amashule y'intango yayize mu gihugu c'Uburundi n'Ubuganda. Ayisumbuye ayiga muri Kenya. Ivyirwa vya tewolojiya yavyize mu Rwanda mw'iseminari nkuru y'i Nyakibanda muri Diyoseze ya Butare, yatirwa mw'ibanga ry'Ubusaseredoti ku wa 8 Nzero 1990 n'Umweranda Papa Yohani Pawulo wa kabiri ari mu rugendo rw'ubutumwa mu Rwanda.

Imbere y'uko ashingwa amabanga y'ubw'Ubwepisikopi yararanguye ubutumwa butandukanye bwo kungura ubwenge aho yaronse urupapuro rw'umutsindo rw'isumbuye mu vyirwa vya tewolojiya i Roma. Aca arashingwa ubutumwa bwo kwigisha mu maseminari n'ibindi.

Ku wa 7 Rusama 2013, Nyenubweranda Papa Fransisiko yamutoreye kuba Umwungere wa Diyoseze ya Kibungo, ku wa 20 Ruheshi 2013 yatirwa muri iryo banga na nyenicubahiro musenyeri Tadeyo Ntihinyurwa. Ku wa 19 Munyonyo 2018 Papa Fransisiko amugena kuba Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Kigali, ashikira intebe ku wa 27 Ruhuhuma 2019. Icivugo ciwe ni « Naje ngo baronke ubuzima».

Hamwe n'abandi ba Karadinali 12 batorewe rimwe, bazokwemezwa ku wa 28 Munyonyo 2020.

MSV Marie Goreth Ndikumana

Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika Umwaka wa 66 Gisohoka kabiri mu kwezi Ikiguzi : 500FBu

NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

e-mail: ndongozi.journal@yahoo.fr

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°730 01 Munyonyo 2020

Bakunzi ba Ndongozi,

Gira umugisha. Imana yacu ni nziza cane. Ng'uyu umusi w'aho umukirisu wese azirikana ivyiza bisumbirije kuko Umukama aduhaye akaryo ko kwibuka ko tuva ku Mana tugasubira ku Mana.

Igenekerezo rya mbere Munyonyo ryama ari iryo guhimbaza aberanda bose bari mw'Ijuru. Ekleziya iratwereka abadutanze kurenguka i Bukama bakaronswa impera y'uko babayeho bagororokera Imana mu rukundo rwuzuye rw'Imana n'abantu.

«FRATELLI TUTTI»: Ikete rigira gatatu rya Papa Fransisco

Kwigenekerezo rya 4 Gitugutu 2020, umunsi muri Ekleziya duhimbaza umunsi mukuru w'umweranda Fransisiko w'i Asize, Nyenubweranda Papa Fransisiko, i Asize mu Butariyano, yarashize umukono kw'ikete rigira gatatu yanditse yise « Fratelli tutti » , « **Twese turi abavukanyi** ». Rikaba rishimikiye k'umuvukano n'umubano mwiza mu bantu.

Umuvukano n'umubano mwiza hagati y'abantu bo kw'isi yose ni inzira

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Anatolie NIYIMPAYE*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

Imyaka 27 irarangiye Melchior Ndadaye agandaguwe

Hari mw'ijoro ryo ku wa 20 rishira irya 21 gitugutu 1993, aho Melchior Ndadaye, umukuru w'igihugu wa mbere yatowe n'abanyagihugu agandaguwe. Haraciye imyaka 27.

Uyu mwaka, ibirori vyo kumwibuka vyabereye mu nkuka y'imisa yaherejwe muri Paruwase Mikaeli Mweranda na Nyenicubahiro Gervazi Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Bujumbura. Ivyo birori nyene vyari vyitabwe n'abanyenicubahiro batandukanye barongoye Uburundi, uhereye kuri Nyakubahwa Evarise Ndayishimiye, umukuru w'igihugu c'uburundi ari kumwe n'umutambukanyi

Soma ku Rup. 4

Ibirimwo

o Impundu mu muryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoestatt.....6
o Ingaruka mbi zo kunywa inzoga zambiye ku mukenyezi yibungenze...7
o Mbega Ndadaye Melchior ni nde?.....8
o Uburenganzira bw'abana bafunzwe.....10